Bujumbura, kuwa 18 Myandagaro 2017 vol 33/017 UKURI

INTUMWA IDASANZWE Y'IGIHUGU C'UBUHORANDE MU KARERE K'IBIYAGA BININI YAMENYESHEJE KO NAHO HIBONEKEZA AGAHENGWE NGO IKIBAZO C'INDYANE ZIRI MU BURUNDI NTIKIRATORERWA UMUTI.

Intumwa idasanzwe y'gihugu c'Ubuhorande mu karere k'ibiyaga binini umupfasoni Katja Lasseur yaragize ico ashikirije inyuma y'urugendo rw'imisi itanu yaramazemwo mu Burundi, aho yamenyesha ko naho bisa n'uko hibonekeza agahengwe ngo ikibazo c'indyane mu Burundi ntikiratora inyishu. Kur'ubwo yaciye ahamagarira leta y'Uburundi kwemera kwicarana n'abanyepolitike iriko irondeza imitahe mpuzamakungu mu ntumbero yo gutorera umuti urama ikibazo kiri mu gihugu c'Uburundi.

Mu kiganiro iyo ntumwa idasanzwe y'igihugu c'Ubuhorande mu karere k'ibiyaga binini yahaye abanditsi n'abamenyeshamakuru kur'uyu wa 09 Myandagaro 2017, Katja Lasseur yamenyesheje ko yasanze ari ngombwa ko ibiganiro vy'abarundi vyobandanya bihagarikiwe n'akarere kandi birongowe na Benjamin Mkapa. Yagize ati:" ***Tubona ko umutekano usa n'uwateye imbere kurusha mu mwaka wa 2015. Naho hari agahengwe, ntibivuga ko ivyatumye haba ingorane mu mwaka wa 2015 vyatorewe inyishu. Nico gituma nibaza ko mukwiye kuja hamwe kugira mubitorere inyishu. Kubw'igihugu c'Ubuhorande, turemeza neza ko inyishu ku kibazo c'abarundi izotorwa biciye mu biganiro bihagarikiwe n'akarere, birongowe na Perezida Mkapa. Ndi n'icizere kandi ko ivyo biganiro bigiye kunyaruka. Nibaza y'uko n'abo vyerekeye biteguriye kuganira kubibazo vyose kugira bitegurire amatora yo muri 2020.***"

Katja Lasseur yarongeye amenyesha ko abategetsi bagomba kugira ivyo bahevye kugira haboneke ibiganiro bihuza bose. Yagize ati:" ***Mu bisanzwe, mu biganiro hama hariho bamwe na bandi batuma bigomba guhagarara. Mu biganiro kandi birakenewe ko abakoze ivyaha vy'agahomerabunwa bakurikiranwa n'ubutungane. Mur'urundi ruhande naho, utegerezwa kuraba neza bande mwoganira kugira utore inyishu ibereye kuri bose.***"

M.Dior

ABARUNDI BABA MU BIHUGU VYO HANZE BAHERUKA GUSHINGA ISHIRAHAMWE RYO GUFASHANYA BISE BURUNDI SOLIDARITE INTERNATIONALE.

Abarundi baba mu migabane itanu y'isi baherutse gushinga ishirahamwe ryo gufashanya bise Burundi Solidarite Internationale. Iryo shirahamwe rihurikiyemwo abahinga b'abarundi mu bisata bitandukanye rikaba riheruka kwemererwa gukorera ku mugaragaro mu gihugu ca leta zunze ubumwe za Amerika. Intumbero yaryo ngo akaba ari ugufashanya hamwe no guterera mu buryo no mubumenyi kugira banagure Uburundi.

Umwigisha muri za kaminuza Professeur Liberat Ntibashirakandi arongoye iryo shirahamwe yagize ati:" ***Abanywanyi ba Burundi Solidarite Internationale dufadikanije n'abandi barundi bose bahurikiye muyandi mashirahamwe, twipfuza Uburundi bugizwe n'ubumwe hamwe no gufashanya n'agateka n'iterambere. Twipfuza Uburundi burangwa n'amahoro n'umutekano, abatwara bubahiriza amategeko, umunyagihugu wese akagira uburenganzira bwo kwiyamamaza, ntarenganywe, ibijanye n'ubutungane abarundi bose bagatunganirizwa co kimwe, ukwishira no kwizana bataravye iyo umuntu avuka, bataravye ubwoko, bataravye imyaka canke bataravye umugambwe avamwo. Ica mbere tuzokora n'uko tuzokorana n'abarundi bose bipfuza ko Uburundi buva mu kaga. Tuzofasha mu kwandika mu kwiyumvira no muguterera ivyiyumviro dufadikanije n'abandi, bimwe bita vision, tukagira tuti mu gisata c'indero bizogenda gutya, mu gisata c'umutekano bizogenda gutya, mu gisata c'ubutungane tuzokosora ibi n'ibi, mu gisata icari cose tuzobe dufise ingene twokwubaka Uburundi.***"

I.Axel

UMUYOBOZI WA KAMINUZA Y'UBURUNDI AMENYESHA KO KWIMA URUHUSHA RWO KUZA MU BURUNDI (VISA) KURI UMWE MUBASERUKIRA IKIGO C'ABABIRIGI GIFASHA IYO KAMINUZA ARIYO NTANDARO Y'IBIHANO ICO KIGO GIHERUKA GUFATA.

Inyuma y'aho ikigo c'ababirigi mw'iterambere mubijanye n'inyigisho za kaminuza ARES-CCD gihagarikiye imfashanyo cahora gifashisha kaminuza ya leta y'uburundi, ubuyobozi bwa kaminuza y'Uburundi bwamenyesheje ko iyo ngingo yaturutse kur'uruhusha rwo kuja mu Burundi (VISA) rutashoboye kuronswa umwe mu baserukira ico kigo ARES-CCD. Ngo rero iyo ngingo ya leta y'Uburundi niyo yoba itanezereje abarongoye ico kigo.

Gaspard Banyankimbona arongoye kaminuza y'Uburundi yagize ati:" ***bamwe mubo dufashanya babwirizwa kuza mu Burundi igenekerezo rya 04 Ruheshi 2017 baje ngo dutanguze ishure ry'igice ca gatatu c'inyigisho za kaminuza (ecole doctorale). Umwe muri abo bane ntiyashoboye kuronswa uruhusha rwo kuza mu Burundi (VISA). Vyaratubabaje nka kaminuza kandi na bagenzi we batatu baca bahitamwo gusiba nabo. Isango ry'ugutanguza iryo shure ryagumyeho. Twaretse kubonana amaso muyandi ariko twagumye tubitegurana ku buhinga bwa none. Barasubiriye barasaba uruhusha ngo baze muri ico gikorwa co gutanguza iryo shure, ariko naho nyene, umwe bima ubwa mbere uruhusha rwo kwinjira mu Burundi barasubira bararumwima. Ivyo rero bikaba vyarababababaje baca bafata ingingo yo guhagarika igice c'imfashanyo bahora baduha.***"

Yamara n'ubwo biri uko, uwo muyobozi wa kaminuza y'Uburundi yarongeye amenyesha ko afise icizere ko bazosubira kuronka iyo mfashanyo ngo kuko bahungukira bose. Yagize ati:" ***Ntakuntu ivyo biganiro bitokunda. Erega ugufashanya kuvya kaminuza kuzanira inyungu impande zose. Ishure ry'inyigisho z'igice ca gatatu ca kaminuza ryamaze gutanguzwa, ni kunyungu ya twese. Tubifisemwo inyungu nk'uko nabo babifisemwo inyungu. Ego hariho ako kagorane bikenewe ko abantu bavugana, ariko ndafise icizere ko tuzotegerezwa gutora inyishu.***"

Aha mukamenya ko ico kigo ARES-CCD cafashe iyo ngingo kivuga ko iyo kaminuza yagirizwa ukutubahiriza agateka ka zina muntu hamwe n'itunganwa ry'iyo kaminuza hisunzwe ivya politike.

B.armel

IMPUNZI Z'ABARUNDI BAHUNGIYE MU BISAGARA BITANDUKANYE VY'IGIHUGU C'URWANDA BARATANGUYE KURONSWA IKARATA NDANGAMPUNZI IKOZE MU BUHINGA BWA NONE.

Kuva kur'uyu wa 10 Myandagaro 2017, abarundi bahungiye mu bisagara bitandukanye vyo mu gihugu c'Urwanda baratanguye kuronswa ikarata ndangampunzi ikoze mu buhinga bugezweho (identite biometrique).

Willy Nkurunziza aserukira impunzi zo mu bisagara bigize Urwanda yamenyesheje ko iyo karata ifise akamaro ntangere ku mpunzi. Yagize ati:" ***Twashaka gushimira leta y'Urwanda yiyumviriye gutanga iyi karata ndangampunzi yo mubuhinga bushasha, kuko niyo karangamuntu y'impunzi ituma umuntu iyo agiye nko kuguruza konte muri banke ashobora kuyugururirwa vyoroshe. Twahorana kirya gipapuro naco ama banke ntakizi kubera bageze mu buhinga bwa none butuma utoshobora kuguruza konte ukoresheje ico gipapuro twari dufise. Ariko uno musi, dufise ikintu cakozwe mubuhinga bwa none kizotuma abantu bashobora kuguruza ama konte mu mabanke vyoroshe. Ikindi naco n'uko abantu bashobora kuja gusaba akazi hamwe no gusinya ama contrats bakerekana ya karangampunzi kandi bagashobora kuronswa ibijanye no gukinga***

impanuka (assurance) mu gihe umukoresha ariko arakoresha umuntu akamugirira assurance. Ikindi naco n'uko iyo uriko uratembera ugahura n'igipolisi bazobona ko ufise iyo karata nk'uko abanyarwanda bayifise, ivyo rero bizotuma umuntu badasubira kumwihendako kuko kirya gipapuro benshi usanga batakizi bakacihendako. Ariko uno musi, mu gihe turonse karya ga karata kazofasha impunzi nyinshi kwerekana y'uko wujuje ibisabwa n'amategeko canke kugendera ubumenyi tugezeko muvy'ubuhinga. Ivyo tumaze kumenya n'uko irya ari indangampunzi gusa, ariko twarageregeje gusaba y'uko bodukorera urupapuro rw'inzira passeport narwo nyene batubwiye ko bazorudukorera mubuhinga bugezweho. Ariko ikaba ari passeport ishobora gusomwa na za machine zigezweho, nico gituma tubwira abantu kw'irya karata ndangampunzi atari urupapuro rwo kugenda mu bindi bihugu, n'urupapuro ruzokoreshwa muri iki gihugu c'Urwanda. Muvyerekeye zirya passeport biometrique nazo bariko barakora z'impunzi, leta y'Urwanda iriko irakorana n'izindi nzego kugirango bazironswe vuba." *I.Axel*

URWARUKA RW'ABARUNDI BAHUNGIYE MU GIHUGU C'URWANDA RWARATUNGANIJE IKIGANIRO MU NTUMBERO YO GUHIMBAZA UMUSI MPUZAMAKUNGU WAHARIWE URWARUKA.

Mu ntumbero yo guhimbaza umusi mpuzamakungu wahariwe urwaruka wama uhimbazwa kw'igenekerezo rya 12 Myandagaro uko umwaka utashe, umuhari mpuzamakungu uhurikiyemwo urwaruka rw'abarundi MIJB ufadikanije n'urunani rw'imihari y'urwaruka rw'abarundi bahungiye mu gihugu c'Urwanda baratunganije kur'uyu wa 11 Myandagaro 2017 ikiganiro mu kigo centre communautaire oasis de paix kiri mu karere ka Kicukiro mu muji wa Kigali.

Guhera igihe c'isaha cumi z'umuhingamo, abahinga batatu nibo bariko barafasha abari bitavye ico kiganiro mu ntumbero yokurabira hamwe uruhara urwaruka rwogira mu rugamba rwo kurondera gusubizaho intwaro irangwa n'amategeko hamwe no kwubaka amahoro arama mu Burundi.

abari bitavye ico kiganiro bagizwe ahanini n'urwaruka barashikirije amakenga bafise n'ukungene babona ivyo bibazo vyotorerwa umuti. Inyuma y'uko guhanahana ivyiyumviro bose bahavuye bahuriza hamwe ko urwaruka rugomba gufata iya mbere kugira igihugu c'Uburundi gishobore gusubira kurangwa n'intwaro yubahiriza amategeko ngo kuko, ni n'urwo rwaruka nyene rwari rwafashe iya mbere mu kwiyamiriza ihonyangwa ry'amasezerano ya Arusha n'ibwirizwa shingiro aho Petero Nkurunziza yitoreza ikiringo ca gatatu kitemewe n'amategeko. Ikindi babonye, n'uko ubutandukane bwabo mu vya politike bitari bikwiye kubabera intambamyi, ngo ahubwo urwo rwaruka rwari rukwiye gufata ubwo butandukane nk'ubutunzi bukomeye bwobatuma bubaka Uburundi buzira akarenganyo n'ukutubahiriza amategeko.

Inyuma y'ico kiganiro hakaba haciye hatunganywa igiteramo c'umuziki aho imirwi y'abaririmvyi b'abarundi yabica bigacika. Hakaba hari hanatumiwe abaririmvyi b'abarundi baje bava mw'ikambi y'impunzi z'abarundi iri Mahama mu gihugu c'Urwanda.

B.Armel

ISHIRAHAMWE OLUCOME RISABA LETA Y'UBURUNDI GUHAGARIKA UMUGAMBI WO GUSABA IDENI RINGANA NA 32.600.000 Z'AMADORARI MU NTUMBERO YO GUSHIRA MU NGIRO IVY'UBUHINGA BWA NONE.

Uwo mugambi w'ubuhinga bwa none (numerisation) uzorangurwa na radiyo na televiziyo vy'igihugu bifadikanije n'ishirahamwe STARTIMES.

Mu rwandiko ishirahamwe ryishinze kurwanya ibiturire n'isesagurwa ry'amatungo ya leta OLUCOME ryarungikiye Petero Nkurunziza kur'uyu wa 14 Myandagaro 2017, mw'ishirahamwe OLUCOME bavuga ko bidatahuritse ingene leta yaka ideni ryokurangura umugambi ishirahamwe ryigenga rifisemwo umutahe ungana n'ibice 60%. Gabriel Rufyiri arongoye OLUCOME yamenyesheje ko azokwitwara hamwe leta itokwisubirako. Yagize ati:" *Ni ideni ringana n'imiliyoni 32 zirengako ibihumbi 600 z'amafaranga y'amanyamerika. Ayo mafaranga rero asabwa na leta y'Uburundi, asabirwa ishirahamwe vyitwa ko ryigenga kuko n'ishirahamwe rigizwe n'amashirahamwe abiri RTNB hagaca habamwo na STARTIMES ishirahamwe ryigenga rizoca rigira muri iryo shirahamwe rishasha ryashinzwe ryitwa RTNB ibice 60%. RTNB nayo igaca igira ibice 40%. Twebwe ntitwumva na gatoyi ukuntu leta y'Uburundi iza gufata ideni kw'izina ry'ishirihamwe ryigenga hanyuma abarundi akaba aribo bazoriha ayo mafaranga, ivyo murumva y'uko bidashoboka. Namye ndaba nk'ingene iri shirahamwe STARTIMES ryabigenjeje muri Madagascar canke muri Congo, twebwe dufata y'uko leta itegerezwa gushiraho umurongo ntarengwa (balise). Nico gituma rero twaciye dusaba y'uko Petero Nkurunziza yohagarika ivyo bintu, hamwe atobihagarika naho, bizoca biba ngombwa ko twitwara. Uburundi bwari bwamaze kuva mu bihugu bifise amadeni menshi, mugabo ubu, twagiye mu bihugu bifise amadeni y'umurengera. Nk'akarorero, dufise ideni ryo hagati mu gihugu ringana n'amafaranga ama miliyoni 1250 aha ntitwavuze amadeni Uburundi bufata hanze.*"

M.Dior

MU MAKAMBI Y'IMPUNZI Z'ABARUNDI ZIRI MU BIHUGU BITANDUKANYE VYO MUKARERE HAYAGWA AMAKI?

Ku muhingamo wo kur'uyu wa 14 Myandagaro 2017 haradutse uruhagarara mw'ikambi y'impunzi z'abarundi i Nduta mu gihugu ca Tanzaniya. Intandaro y'ako kaguma akaba ari ubukene bw'ibifungurwa, aho abo barundi bamenyesheje ko bamaze imisi badafungurirwa. Urwo ruhagarara rwatanguye neza na neza nk'igihe c'isaha 6 z'umurango muri zone ya 5, mu nyuma rutandukira zone ya 7, ndetse ruhava rushika no muri zone ya 12. Impunzi zikaba zari zugaye amabarabara zihanganye n'abapolisi ba Tanzaniya, ivyapa vyose biri muri ayo ma zone biraturirwa. Hirya no hino muri iyo kambi hasirana ibisasu bikoroza amosozi (Gaz lacrymogenes) ndetse n'amasasu asanzwe. Muri iyo mishamirano rero abarundi bagera kuri 10 barakomeretse ndetse hakaba hari n'umukenyezi yahavuye yitaba Imana.Uwo mukenyezi akaba yaciye ashingurwa bukeye kuwa 15 Myandagaro 2017.

Yamara n'ubwo biri uko, mu gihugu c'Urwanda ho, abarundi bahungiye mu gisagara ca Nyamata barageregeza kwiyungunganya muri ubwo buzima butoroshe babayemwo. Ni mu gihe bamwe muri bo bashoboye gushinga igaraje (Top garage) yo gukora imiduga n'ibindi vyuma. Intumbero y'uwo mugambi ngo n'ugushinga amashirahamwe yo gufashanya hamwe no kuronsa ubumenyi abarundi n'abanyarwanda bavyipfuza. Fiston umwe mubashinze iyo garaje yamenyesheje ko barondeye uburyo bwo kwiyungunganya. Icipfuzo cabo ngo n'ugutanga akazi kugira abarundi babone ingene bobaho narirya ubuzima bwo mu buhungiro butoroshe. Abaronse akazi muri uwo mugambi bavuga ko bamaze kwiteza imbere mu miryango yabo, abandi nabo bakavuga ko bariko bimenyereza ibijanye no gukora imiduga. Abatanguje uwo mugambi basaba abagiraneza kubafata mu mugongo kugira bashobore gushika ku ntumbero bihaye.

M.Dior